LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME " ITEKA "


Uwo uri wese ubahirizwa


# BULLETIN HEBDOMADAIRE

# "Iteka n'Ijambo"

**N°542Co kuva kuwa 31 Myandagaro gushika kuwa 6Nyakanga 2026**

Ryemejwe n'itegeka nshikiranganji nomero530/0273 yo kuwa 10 Munyonyo 1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma1991



***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodeta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka , yabuzwe irengero kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 6 Nyakanga 2026, abantu bashika 878 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, ni imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi 791ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].***

**Umuhari ITEKA :**

- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32 .

**IBIRIMWO**

*0.INTANGAMARARA......5*


*I.UMWIHWEZO......5*

*II.UBURENGANZIRA BWO KWIGENGA NA PORITIKE......10*

*III. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI ......15*

*IV. UGUSOZERA N'IBISABWA......16*

***INDINGANIZO NSHASHA YO Y'INTWARO KUVA KUWA16 NTARANTE 2023***



# *IMPFUNYAPFUNYO*

**CDS** **: Ikigo c'ubuvuzi**

**CECI** **: Umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora muri komine**

**CEPI** **: Umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora mu ntara**

**CNDD-FDD** **:** *Inama y'abanyagihugu iharanira intwaro rusangi-urunanirukingira intwaro rusangi (umugambwe uri ku butegetsi)*

**CNL** **: Ihuriro ry'igihugu riharanira umwidegemvyo**

**SNR** **: Iperereza**

**FDLR** **:** Urunani ruharanira demokarasi yo kubohoza u Rwanda

**AFC** **:** Alliance Fleuve Congo

**M23** **: Umuhari wo ku wa** 23 Ntwarante

**OPJ** **:** Inyamiramabi

**RDC** **:** Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo

**VBG** **:** Amabi afatiye ku gitsina

0. INTANGAMARARA....................................................................5

I. UMWIHWEZO....................................................................5

I.1. UMWIHWEZO WA PORITIKE....................................................................5

I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO ....................................................................6

I.2. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE ....................................................................8

I.3.UMWIHWEZO W'INTWARO ....................................................................8

II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI PORITIKE....................................................................10

II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA ....................................................................10

II.1.ABANTU BISHWE N'ABO MURI RETA ....................................................................10

II.1.1. IBIZIGA VYATOWE. ....................................................................10

II.1.2. ABANTU BISHWE N' IMBONERAKURE....................................................................12

II.1.3.ABANTU BISHWE KUBERA UKWIHORA ....................................................................13

II.1.4 UKUNYURUZWA CANKE UKUBURWA IRENGERO . ....................................................................13

II.2. UGUKUBAGURWA KU MUBIRI NO KU MUTIMA ....................................................................14

II.2.1. UKUBOREZWA IGUFA CANKE UGUFATWA BUNYAMASWA....................................................................14

II.2.2. UGUSHURASHUZWA ....................................................................14

II.2.3. AMABI YO MU MAZU ....................................................................14

III. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI....................................................................15

III. 1. UBURENGANZIRA BW'UMWANA ....................................................................15

IV. UGUSOZERA N'IBISABWA ....................................................................16

## *0. INTANGAMARARA*

Iki cegeranyo cerekana uko agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi mundwi yo kuva kuwa 31 Myandagaro gushika kuwa 6 Nyakanga 2026.Muri iki cegeranyo,umuhari Iteka uranihweza ivy'umutekano,ubutungane hamwe n'intwaro. Kirasuzuma kandi ibintu vyerekana ihonyangwa ry' agateka ka zina muntu no muri poritike, uburenganzira bw'imigwi na cane cane uburenganzira bw'umwana vyaranze iyi ndwi.

Amabi y'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu ryibonekeje kandi vyemejwe n'umuhari Iteka bimeze ugukwirikira: n'imiburiburi abantu 9 barishwe,harimwo 7 batowe ibiziga hamwe n'abana 2 bishwe ;abantu 2 bakorewe amabi afatiye ku gitsina harimwo abana b'abakobwa bashurashujwe, abantu 2 banyurujwe hamwe n'umwe yafashwe bunyamaswa aranasuzuguzwa.

Mubakorewe amabi ,abagore 2 muribo umugore umwe yarishwe n'umwe yakorewe amabi yo munzu hamwe n' umukobwa 1 w'umwana yashurashujwe hamwe n'abana 2 bishwe.

Ahanini abikekwako ayo mabi ni abaporisi,abo mw'iperereza,urwaruka rw'imbonerakure z'umugambwe uri ku butegetsi,CNDD-FDD.

# *I. UMWIHWEZO*

## *I.1. UMWIHWEZO WA PORITIKE*

**Ukurarika imbonerakure himirije amatora y'umukuru w'igihugu muri komine Butaganzwa.**

Kuwa 2 Nyakanga 2026,uwurongoye urwaruka rw' imbonerakure z'umugambwe uri ku butegetsi Honorable NIMUBONA Shabani yaragize urugendo muri komine Butaganzwa, intara ya Buhumuza mu ntumbero y'igikorwa c'ukurarika amatora y'umukuru w'igihugu yimirije.Muri uwo mubonano,yaribukije urwaruka rw' imbonerakure z'umugambwe CNDD-FDD uruhara rwabo muri iki gihe himirije amatora.Yabategetse ko bokora ibishoboka vyose kugira baterere kugira umugambwe CNDD-FDD ugume ku butegetsi,gushika aho abategeka kwitanga bikomeye mbere gushika aho batanga ubuzima bwabo bibaye ngombwa,kugira umugambwe CNDD-FDD ubandanye utwara igihugu.Ivyavuzwe n'uwo atwara urwaruka rw' imbonerakure ahamagarira urwaruka ruhurikiye mu mugambwe uri ku butegetsi kwitanga kugira baharanire ukubandanya kw'umugambwe vyoshobora kuba imbarutso y'icuka kibi mu kiringo c'imbere y'amatora.

***RUYIGI :ISABUKURU IGIRA 22 YA DIYOSEZE KU BUTUNGANEN'AMAHORO NK'IKIMENYETSO C'UKUREKURIRANIRA N'UGUSUBIZA HAMWE.***

Ku musi w'Imana,igenekerezo rya 6 Nyakanga 2026, kuri paruwasi Marie Reine yo mu Gisuru, abantu bo muri diyoseze ya Ruyigi barahimbaje ubugira 22 umusi wahariwe Ukuri n'Amahoro ku civugo;"Turengere ibidutandukanya vyose, tuvugane ukuri, turekuriranire, dusubize hamwe".Inkuka ya misa yo kuri ivyo birori yaherejwe na Musenyeri Blaise NZEYIMANA, umwipisikopi wa Diyoseze Ruyigi.

**Ukuri,inkingi y'ikigongwe n'ukurekuriranira.**

Mu nsiguro yiwe, Musenyeri Blaise, umuco w'ijambo ry'Imana ryo ku musi w'Imana ugira 23 mu gihe gisanzwe (Ez 33, 7-9; Ps 94; Rm 13, 8-10; Mt 18, 15-20), yafatiye inyigisho yiwe ku nkingi y'ukuri,inguvu zikenewe mu guteza imbere umugenzo w'ikigongwe n'ukurekuriranira.Igihe indyane zadutse mu miryango yacu,inyishu si ikindi kintu atari ikigongwe hamwe n'ukurekuriranira.Iyo nyishu isaba inguvu z'uwo hejuru,kubera kugira tube imvugakuri,bidusaba gusenga Imana mu mutima kandi mu kuri.Kandi umuntu wese yemera akabi kiwe kandi akigaya ari mu kuri. Ni gutyo ukuri,urukundo n'ubutungane,kubwo inyigisho y' uwambere mu bemera mu Ruyigi, ziguma ari inkingi z'inzira y'ikigongwe n'ukurekuriranira.Ivyo birori vy'isabukuru igira 22 ya Diyoseze ku butungane n'amahoro vyaritabwe na Musenyeri Tharcisse NDAYABANDI, patiri mukuru wa Ruyigi;patiri Gédéon NDAYITABAJE,ajejwe imiharimuri Diyoseze ukuri n'amahoro ;abarongozi bo mu ntwaro harimwo:uwuserukira buramatari w'intara ya Buhumuza,Valery NKUNZIMANA;uwuserukira umugwi ujejwe ukuri n'ukurekuriranira,Pasteur Elie NAHIMANA,musitanteri wa komine Gisuru Amos NDAYIZAMBA, hamwe n'abaharanira amahoro bavuye mu ma paruwase agize umuryango wa Diyoseze Ruyigi,tubaye turareka n'abo.

**Intahe 3 zikomeye :ikigongwe ,ugusubizahamwe n'ugushima.**

Ibirori vy'uwo musi vyatangujwe n' uguhezagira umusaraba hakwirikira urugendo hamwe n'ugushinga umusaraba imbere y' isengero rya Gisuru. Inyuma y'ivyo,intahe zikomeye z'ikigongwe hamwe n' ukurekuriranira zaratanzwe: intahe zibiri zambere zaraba abantu (Jean RIBAKARE wo muri paruwase Kigarama, umu Tutsi yishe Hutu; NKONDOGORO Abraham wo muri paruwase Gisuru, (umu Hutu yishe umu hutu) , bafatiye kw'ijambo ry'Imana hamwe n'irya mutima mweranda,akabi k'ubwicanyi bwabo mu magume ya 1993 baca barubahuka gusaba ikigongwe ababuze.Barahahawe ikigongwe.Intahe ya gatatu ni iya Léocadie NTAKARUTIMANA, umugore w'Umututsikazi wo muri paruwase Kigarama,yashimiye umu Hutu, Marc NTAKIMUSUZUMA kubera yamukingiye aba Hutu bashaka kumwica.

**Uburundi buri mu gihe ciza co kuba mu nzira y'ikigongwe n'ukurekuriranira**

Mu gihe co gusangira nk'abavukanyi, uwuserukira CVR,Pasteur Elie yarahimbawe n'ivyakozwe na CDJP Ruyigi yongera atomora ko ico kiringo turimwo ari igihe ciza catanzwe na Reta ku barundi bose co kuba mu nzira y'ikigongwe n'ukurekuriranira.

Ku ruhande rw'uwaserukiye Buramatari w'intara ya Buhumuza,Valéry, ashima intererano y'ishengero katorika rya Ruyigi mu butumwa bwo kurekuriranira kw' abarundi,yasavye ashimitse abagabo bubatse gusaba ikigongwe abagore babo ku makosa babakorera kugira bashire mu ngiro iyo nzira y'ikigongwe n'ukurekuriranira mu miryango dukomokamwo.

« Mugumije ijambo ryanje,muba vy'ukuri abigishwa banje.Muzomenya ukuri ,maze ukwo kuri kubagire abidegemvya »(Yoh. 8, 31-32).

## *I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO.*

**Icuka kibi hagati y'igisirikare co mu mazi c'Urwanda hamwe n'abasirikare b' Uburundi muri komine Kirundo mu ntara ya Butanyerera.**

Ku wa 31 Myandagaro 2026, ku gacimbiri Ngaragu, kari ku mutumba na zone Kiri muri komine ya Kirundo, mu ntara ya Butanyerera, icuka kibi carabaye hagati y'igisirikare c' Uburundi n'igisirikare co mu mazi c'Urwanda, bituma barasa mu ntumbero yo kugabishanya ku mpande zose.

Inkomoko y'iryo bara ni imisore 5 y'abarovyi, bose abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD kandi baba ku mutumba Kiri,boba bararenze urubibe mu gihe bariko bararoba. Abasirikare b'io mu mazi b'Urwanda bariko barakizura boba barakurikiye iyo misore mu ntumbero yo kubahagarika.Babiri muribo barashoboye gushikira inkengera z'uruzi Kanyaru (uruhande rw'Uburundais),mugihe batatu bandi binyegeje mu mugazo uri mu gace gacungereye,kubwo ibivugwa n'icabona cacu cari kihari.

Kubwo isoko ryacu nyene,abasirikare b' igisirikare co mu mazi c'Urwanda baragerageje kubaza abo barovyi kugira bave mu gashamba ,ariko abo barase kwitaba ako kamo.Mu nyuma y'aho,abasirikare b' Urwanda bafashe ingingo yo guturira aho hantu.Igiporisi n'abasirikare b'abarundi baraje kubirukana.Amasasu yo kugabisha yarashwe n'abasirikare b'abarundi yakurikiwe n'amasasu yo kw'ishura y' abasirikare b'Urwandabaruhiye munyuma gusubira ku butaka iwabo.Twomenya ko abo basirikare bo mu mazi b'Urwanda boba baragumye ku butaka bw'Uburundi isaha irenga.

**Urugendo rw'umukuru w'igihugu Evariste NDAYISHIMIYE mu kigo c'inyigisho za gisirikare ku mutumba Kigarika komine Ruyigi, intara Buhumuza.**

Kuwa 3 Nyakanga 2026, umukuru w'igihugu c'Uburundi, nyenicubahiro Evariste NDAYISHIMIYE yaragize urugendo mu kigo c'inyigisho za gisirikare kiri ku mutumba Kigarika, komine Ruyigi, intara ya Buhumuza. Ikigo c'inyigisho FRAD,bagize urwego rwo gukingira igihugu rutegura abasirikare bakukurutse hamwe n'urwaruka rw' imbonerakure zacaguwe mu gihugu cose.Ico kigo co'inyigisho kiri ahantu hari hateguriwe ikigo c'imbuto gifasha abanyagihugu bo muri komine ya Ruyigi hamwe n'abahegereye,ubu hahindutse ikigo co guhindura urwaruka rw'umugambwe uri ku butegetsi abasirikare.

Twomenyesha ko ico kigo c'inyigisho cuguruwe mu ntango z'umwaka wa 2026 kandi havuzwe vyinshi huri co,gute igihugu coshiraho umugwi urwana mugihe ingabo zo kwivuna n'izumutekano zikwiye kugira zicungere umutekano zongere zikingire imbibe zigihugu?Umukuru w'igihugu yarafashwe amasanamu ariko aratamba hagati y'abo barikiri.

**Umuryango w'iBugendana watewe ubwoba**.

Mw'ijoro ryo ku musi wa kane ,igenekerezo rya 3 Nyakanga 2026 hafi igihe c'isaha 5 z'ijoro, umuryango wa Gatama Emmanuel,umwigisha kw'ishure shingiro Nyakeru kandi aba mu kigwati ca Bugendana,umutumba Mukoro,zone na komine Bugendana,intara Gitega, waraturubitswe n'abantu bataramenyekana. Kubwo uwo yaturubitswe,abantu baraje gukubita ku nzugi n'amadirisha vy'inzu yiwe,bamusaba gusohoka bongera bamubiwira ko baturira inzu.Yarakomye induru atabaza, icatumye izo nkozi z'ikibi zihunga.Imbere yo gutaha,abo baraturiye uruzitiro rw'inzu rwubatswe n'amashami y'ibiti.

Gatama Emmanuel amakrnga yiwe cane cane n'uko ata murongozi n'umwe mu ntwaro canke mu giporisi yashitse ku muryango wiwe bimaze kuba.Yemeza ku rundi ruhande ko atazi imvo n'imwe yosigura iryo terabwoba.

**Inyubakwa yatokombeye muri karatiye Gatare muri komine Karusi,intara ya Gitega.**

Kuri uyu wakabiri igenekerezo rya mbere Nyakanga 2026, hafi igihe c'isaha 3 zo mu gatondo, ku mutumba na zone Buhiga, yo muri komine Karusi,neza na neza muri karatiye Gatare. Inyubakwa y'uwitwa Viateur, azwi kw'ari muri CNDD-FDD,yarahiye giturumbuka ku buryo butitezwe.Kubwo amakuru twakuyeyo,uwari akose iyo nzu ,umusore bita Steve, afise imyaka irenga 25 ,yoba ari mu bikorwa bibujijwe,nko kudandaza ibitoro.

Kubwo amakuru dukurayo,ibidumu 3 vy' igitoro,biri mu cumba ,vyoba vyarahiye, inzu isakaye n'amategura ihinduka umunyota, kandi ababanyi bakoresheje ubutwari mu mw'iheburokugira bazimye urubeya.Bariko bagerageza kuzimya hamwe umuriro usa n'uwugira uhere,uwo musore yarahiye bikomeye aca ajanwa rûlures vyihuta ku bitaro vy'iBuhiga aho ariko aravurirwa ku buhinga ibikomere vyiwe.

### *I.3. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE.*

**Ihagarikwa ry'abikekwako ububisha muri komine Bugendana**,intara **Gitega.**

Kuwa 4 Nyakanga 2026 hafi isaha 3 z' ijoro,igiporisi carahagaritse Nibigira Frédéric, umuhungu wa Gatoto Élie na Ntaconita Jeanne,ku muhana iweuri ku mutumba Kibungo,agacimbiri Kavumu, Zone Bitare, komine Bugendana intara ya Gitega yagirizwa gutunga igisasu ntezwantoke.

Ico gisasu carafashwe congera kijanwa ku kirindiro c'igiporisi c'i Bugendana, mugihe Nibigira Frédéric yapfunzwe ic'amaso.

Kubwo isoko ryacu,igihe bamubaza,Nibigira Frédéric yoba yaravyemeye kandi avuga ko igisasu yagihawe na Nsavyumwami Emmanuel batazira Matega,avuka ku mutumba Gitongo, wo muri iyo zone myene,komine Bugendana n'intara ya Gitega kugira ategure kwica umudandaza akomeye Mutoyi Rufyiritana Balthazar batazira Forfait.

Nduwimana Édouard, yoba yari yajejwe kumukwirikira n'ipikipiki,nawe nyene yarahagaritswe amaze kugerageza guhunga.

Abafashwe bose barapfunzwe mu gasho ka komine Bugendana.

Inyamiramabi Nduwayezu Anne yamenyesheje ko amatohozaa abandanya kugira hamenyekane abandi boba babifisemwo uruhara.

### *I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO*

**Amamashini hamwe n'ibikoresho vyo mu biro bidakora,amezi birindiriwe n' abahitura barambiwe muri komine Makamba, intara ya Burunga.**

Mu kigo kijejwe impapuro z'inzira c'i Makamba, kiri mu ntara ya Burunga, ingorane abanyagihugu barondera impapuro z'inzira bagira zirateye agahinda.Ukubura ibikoresho, imashini zititaweho,umuyagankuba uguma ucika hamwe n'imirongo yo kurindira birerekana ibituma bigora kuronka ubufasha bwaho ku gihe.Amezi arahaca imbere ko ivya ngombwa nk'impapuro z'inzira canke ibindi babironswa, bigatuma basesagura ku babirondera mukuriha amahera yo kwiyunguruza, ugufungura hamwe n'uburaro, cane cane ku bava mu mihingo ya kure.Abahitura,bategerezwa kurindira igihe kinini,kenshi bakagira ingendo zirezire kuva muhira gushika ku murwa mukuru w' intara,atacizere ko baronka ivyabo ningoga.

Kuva mu 2017,ikibazo co kunagura ibikoresho kirateye amakenga,Birashoboka,kubwo amakuru twakuyeyo,ko ubufasha bujejwe bujejwe impapuro z'inzira ubu bufise imashini 2 zonyene zikora.Ibiteye agahinda kandi,amasokoavuga ko atanarimwe izo mashini ziranagurwa biboneka kuva bazironka,ibituma zigira ubupfu kandi ntizikore.Ibintu biteye amakenga kandi no mubundi bufasha butangwa n'ico kigo,aho aho ibiro bijejwe ivyangombwa bitandukanye bitagira ama mashini akenewe kugira bikore ibintu bimwe bimwe, ibituma bigorana cane gufasha ababitura kandi abanyagihugu bikabatwara umwanya munini.

Vyongeye,ico kigo cari categuriwe gukoresha imishwarara y'izuba yobaye isoko ry' umuyagankuba risahiriza.Ariko rero, vyaravuzwe ko ko ama beteri yavyo ntiyarose amapanu ategera imishwarara y'izuba abereye kugira bikore neza.Ivyo bitera amakenga ku bahitura:ni kubera iki ubuhinga nk'ubwo bwoshirwaho atabikoresho vya nkenerwa kugira bukore ?Ivyo bibazo bigira uburemere igihe umuyagankuba uguma ucika bigahungabanya ubufasha butandukanye.Icikagurika ryumuyagankuba rirunyura bikomeye ingorane abahitura bahura nazo,bigahungabanya ibikorwa bimwe bimwe kandi bigatuma barindira cane,kenshi na kenshi babanje kugira

### *I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO* *(Ibikurikira urupapuro 8)*

ingendo zirezire.Basa n'abihebuye, abanyagihugu bamwe bamwe bategekanya no gukota imashini ikoresha igitoro itanga umuyagankuba bo nyene bakagura igitoro kugira igikorwa hamwe n'ukuronka ivyangombwa bibandanye.Ivyo bintu,kubwo ababwitura,vyerekana uburemere bw'agahinda kabo,abo bakisanga bategekanya gushiraho igice c'ibikoresho vyankenerwa vy'ubufasha bwa Reta.

Ku rundi ruhande,ivyo biratera ibibazo mw' ikoreshwa ry'amahera yinjizwa n'ikigo kijejwe impapuro z'inzira.Basiguye ko cinjiza amahera arenga umuriyaridi w'amahera y'amarundi buri kwezi.Abacitura baridokera kudashiramwo uburyo bukwiye kugira imashini zigume zinagurwa,hasubirizwe ibikoresho bidakomeye bongere bashireho inyishu nyakuri yo gusahiriza kuvyerekeye umuyagankuba.Ntibatahura ukuntu amamashini,haciye imyaka akoreshwa, ashobora kubandanya akora atanagurwa bibereye,mugihe babandanya kuriha amahera y'ivyangombwa.

Abanyagihugu gushika ubu basaba kwihutira kubitunganya.Gutyo,ingorane irengeye uguteba bisanzwe kw'uburongozi,bikora kandi ku kutagira no kutanagura ibikoresho,umuyagankuba hamwe n' ubushobozi bw'ubuzi bwa Reta mu gutunganya ivyo abanyagihugu bakenera.

Bahamagarira abarongozi babifitiye ububasha gusuzuma uko ibikoresho vy'ikigo kijejwe gutanga impapuro z'inzira c'i Makamba vyifashe,kunagura hamwe no gusubiriza ama mashini yononekaye bongere bashireho ubuhinga bubereye bw' umuyagankuba w'imishwarara y'izuba.

Vyongeye, vyoba vyiza ko inyishu zirama zishirwaho kugira ntihabure umuyagankuba mu ntumbero yo gukinga ko abanyagihugu batohatirwa kwikorera umuzigo w'ibiciro bijanye n'ikorwa ry'akazi.

I Makamba,haguma hiboneka ibintu bitangaje: abanyagihugu bagabirije kuriha kugira baronke ivyangombwa,kenshi mu kurindira ikiringo c'amezi,bakanisabira kuriha imashini ikoresha igitoro mu kuzana umuyagankuba,mugihe ibikoresho bituma akazi kabandanya biguma bidakwiye canke bitanagurwa.Ivyo bisaba kuva ubu insiguro zitomoye,na cane cane ingingo ziboneka.

*Uwo uri wese ubahirizwa*

## *II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

### *II.1.ABANTU BISHWE N'ABAKORERA RETA*

**Umudandaza w'umutanzaniya yishwe muri komine Gisuru mu ntara ya Buhumuza.**

Kuwa gatanu,igenekerezorya 4 Nyakanga 2026 hafi y'isaha 4 muri Zone Kinyinya, muri komine Gisuru,mu ntara ya Buhumuza, umudandaza ava mu gihugu ca Tanzaniya yitwaun Alimasi yarishwe kandi abantu babiri barahagaritswe hanyuma bajanwa mu gasho ka zone Kinyinya kubijanye n'urwo rupfu.

Mu bantu bavuzwe harimwo nka Niyonzima, arongoye umutumba Muvumu na Esron ava ku mutumba Kinyinya. Umuntu azwi kw'izina rya Didier nawenyene yaravuzwe muri ubwo bwicanyi,natarahagarikwa kandi yoba yaranyegeye kuko ariko aronderwa n' indongozi zibifitiye ububasha. Uwo yishe,ava muri Tanzaniya yaramenyereye gucukura inzahabu muri Tanzanie, yoba yarahenzwe n'aboa bikekwa,boba bamusavye kuza mu Burundi kugira ngo acukure ubutare mu Nyabitsinda.

Bashitse impande y'uruzi rwitwa Mukazye, abikekwa boba baciye bashaka kumucumita imbugita. Kubwo amakuru twatororokanije, umuhisi yoba yarageragej̈e kubaha amahera angana 80 000 vy'amashillings y' amatanzaniya kugira ntibamwice. Havugwa koayo mahera yoba afiswe na Didier. Uyu ntarahagarikwa,ayo makuru yotegerezwa guhinzwa mu ntumbero y'amatohoza. Abikekwa boba baranse kureka kumwica kandi boba barabandanije kumuhohotera gushika apfe. Ukumenya abantu bikekwa vyoba vyafashijwe n'ivyuma bifata amasanamu vyari mu ngendeshwa y'uyo muhisi.

Amasanamu yoba yarafashije kumenya abantu bammwe bamwe bari ngaho igihe vyaba kandi yarafashije amatohoza n' uguhagarika abikekwa gukora ubwo bubisha. Indengeshwa y'umuhisi yoba mu nyuma yatowe i Gitega,mugihe abantu bariko bagerageza kuyihindura. Abantu abriko barayihindurabarahagaritswe kumvo z' amatohoza.Abo nabo niClaude, J.Bosco na Éric. Uwo munsi nyene,imvukira zo muri Tanzaniya boba baragiye aho iryo bara ryabereye mu ntumbero yo gusaba ugutahukana ikiziga ciwe muri Tanzaniya kugira bamushingure. Boba barasavya kandi ko abantu bari inyuma y'urwo rupfu bohanwa hisunzwe amategeko. .

Twobamenyesha kandi ko Niyonzima, umukuru w'umutumba Muvumu yoba yaravuzwe mu bantu bari inyuma y'urwo rupfu.Ayo makuru yokwemezwa n'ababijejwe inyuma y'amatohoza.

Abantu bahagaritswe baracari mu gasho ka zone Kinyinya mu ntumbero z'amatohoza. Didier ari mu bikekwa ntarahagarikwa.

Amatohoza arabandanya kugira hamenyekane abakoze ubwo bwicanyi n'imvo z'urwo rupfu,kubwo indongozi mu giporisi no mu ntwaro.

### *II.1.1. IBIZIGA VYATOWE*

**Ikziga c'umugore catowe muri komine n'intara n'intara ya Gitega.**

Kuwa 24 Myandagaro 2026, ku mutumbaKarenda, muri zone Mubuga, muri komine n'intara ya Gitega,ikiziga ca Manikurakure Félicité, w'imyaka71,yatowe ikiziga mu muryango w'inzu yiwe aho yibana wenyene.

Kubwo isoko ryacu ,ni ababanyi batabaje igiporisi ,inyuma yo kubonako inzu yagumye

yugaye gushika hafi y'isaha zibiri zo mu gitondo,ibitari bimenyerewe.Bashitse,abaporisi basanze umwango upfungiye mu nzu hanyuma baramena kugira bashike mu nzu.

Isoko ryacu ryongerako ko umuhungu avukana n' umuhisi yamenyesheje inyamiramabi ko mushikiwe yyararwaye umutima. Ariko,ababanyi baratanganjwe n'ivyo ashikirije,bibazako ahubwo yari gutanga intererano kugira atumbereze neza amatohoza kuri urwo rupfu. Abo babanyi bamenyesheje kandi ko hari amatati hagati y'umuhisi na musazawe,ico kuri bo,hakenewe ko imvo nyazo z'urwo rupfu zomenyekana. Ntanumwe yahagaritswe kuri urwo rupfu.

**Umuzamu yatowe ikiziga muri komine n'intara ya Gitega**

Mu gitondo co kuwa kabiri igenekerezo rya 1 Nyakanga 2026 hafi isaha cumi na zibiri,muri karatiye Birohe, muri zone Rutegama,muri komine n'intara ya Gitega, impande ya Mess des Officiers Commando Gitega, ikiziga c'umuzamu yaratowe imber y'inzu z' ubudandarizo muri ako karere.

Kubwo isoko ryacu ryahonyene,uwo yapfuye yitwa Barambona Dismas,w'imyaka 68 , ava ku mutumba Muririmbo, muri Zone Gitongo,muri komine Bugendana, mu ntara ya Gitega.

Kubwo iryo soko nyene,ibinini vya malariya vyatatowe mu mufuko w'ipantaro yiwe. Abantu bamwe bamwe bibazako yoba yishwe n'indwara. Ariko,abandi bibaza kon yoba yishwe akubaguwe kubera ibimenyetso vy'inkoni vyaraboneka nko mu mutwe,no mu mbavu,bigatuma kwibaza ko yoba yarakubiswe inkoni canke umugozi imbere yo gutabwa aho hantu.

**Ikiziga c'umugabo catowe muri komine Karusi mu ntara ya Gitega**

Kuri uyu wambere igenekerezo rya 31 Myandagaro 2026, hafi y'isaha cumina zibiri zo mu gitondo,ikiziga c'umugabo yitwa Hakizimana,w'imyaka 50 kandi w' umunyanyi wa CNDD-FDD, caratowe inyuma y'inzu y'ubudandarizo yararira,kw'ibarababara inomero 12, ku mutumba na zone Muhweza, muri komine Karusi.

Kubwo isoko ryacu, umuhisi yari umuzamu wo mw' ijoro,yava ku mutumba Banda,muri zone Nkoronko, muri komine Karusi.

Vyongeye,abantu babiri barahagaritswe kumvo z' amatohoza.Ni abagize umuryango wiwe:, Nkeshimana Moïse,w'imyaka irenga 45 na Adelin, w'imyaka 49 ( bose ni abanywanyi ba CNDD-FDD),kubw'iryo soko nyene.

Bose uko ari babiri bapfungiwe mu gasho ka komisariaya ya Karusi kuva kuri uyu wakabiri igenekerezo rya 1 Nyakanga 2026. Twobamenyesha kandi ko kubwo amasoko ari hafi y'umuhisi,amatati y'amatongoyoba ariyo ntandaro y'ubwobunyamaswa.

## Ikiziga catowe mu ruzi Kanyangwa

Mu gitondo co kuwa 2 Nyakanga 2026,ikiziga caratowe mu ruzi Kanyangwa, rutandukanya imitumba ya Murangara na Gishubi,muri Zone Nyabiraba, muri komine Gishubi,mu natara ya Gitega.

Kubwo isoko ryacu,igiporisi,kirongowe n'inyamiramabi yo muri zone Nyabiraba barikumwe n'umukuru wa zone Nyabiraba,carashitse aho vyabereye kugira kirabe ivyabaye. Umuhisi yaramenyekanye ko ari Nzikobanyanka Marc, w'imyaka 67 , yubatse kandi ari se w'abana 7,ava ku mutumba Muhagaze, muri Zone Mugaruro, muri komine Gishubi.

Kubwo iryo soko nyene,buca apfa,Nzikobanyanka Marc yaramaze umwanya mu bunywero bwa Bamporubusa Hilaire. Iryo soko nyene riratomora kandi ko yarahejeje kubikuza amahera angana imiriyoni 3 z'amafaranga y'amarundi mu gasandugu kiwe. Ikiziga cari gifise ibikomere mu mutwe hanyuma yaciye ajanwa mu buruhukiro bw'ibitaro vya Ntita.

Mu ntumbero z'amatohoza,igiporisi cahagaritse abitwa Bosco Lewis, abo umuhisi bari bafitaniye amatati ya matongo.Kubwo isoko ryacu,abo bantu ubwambere bari bamuhohoteye, bamubwira ko atazotsinda urubanza na rumwe muri urwo rubanza rw'amatongo.

**Ikiziga c'umusore catowe muri komine  Muramvya.**

Kuwa 2 Nyakanga 2026,hafi y'isaha cumi na zibiri zo mugitondo,ku mutumba Kivogero,muri  zone Bukeye, komine Muramvya,mu ntara ya Gitega,ikiziga c'umusore caratowe n'abahita.

Nzirorera Ferdinand,w'imyaka  29 ,umurimyi ava  ku mutumba  Kivogero yarishwe acumiswe mw'izosi. Ikiziga ciwe catwawe mw'ishamba  kandi cari gifutswe n' ibiti.Yajanywe mu buruhukiro bw'ibitaro ya Giko.

Kubwo amasoko yacu, bari bamubonye iryanyuma mu bunywero Bukeyeneza mu  Bukeye hafi y'isaha cumi n'imwe z'umugoroba. Kubwo ayo masoko nyene,matati yarafitaniye n'umuntu n'umwe. Nta numwe yikekwa yahagaritswe gushika ubu.

**Ikiziga c'umugabo catowe mw'igunira ku  Mubugamuri komine n'intara ya Gitega.**

Ikiziga c'umugabo caratowe mu biti vy'imikaratusi,mu gitondo co kuwa kane igenekerezo rya 3 Nyakanga 2026,ku mutumba Mubuga, muri komine n'intara ya Gitega. Kubw'amasoko yaho,uwo yatowe ikiziga yitwa Nahimana Claude,w'imyaka iri hagati ya 35 na 40. Ababa ku mutumba bamenyesheje ko uwo yatowe yararemvye. Yaciye bunonyene ajanwa ku bitaro vya komine Gitega,biri muri  zone Mubuga,aho yasandabiye kubera ibikomere yarafise. Ayo makuru kandi arahura na Harushimana Reverien,arongoye zone Mubuga. Uwo mutwareyamenyesheje ko amatohoza  yatanguye kugoira hamenyekane abakoze iryo bara. Abantu batatu baramaze guhagarikwa mu ntumbero y' amatohoza,mugihe abandi bikekwa bakironderwa. Kubw'intahe twatorokanijwe ku bahaba,amatati y'amatongo yoba ariyo ntandaro y'iryo bara.

## *II.1.2. ABANTU BISHWE N' IMBONERAKURE*

### Umutama yishwe muri komineKiganda mu natara yaGitega.

Mw'ijoro ryo kuwa  1 Nyakanga 2026,umutama w' imyaka 70 yitwa NDAGANIYE, yarishwe muhira iwe,uri ku mutumba Nete,muri  Zone Gasura, muri komine Kiganda, mu ntara ya Gitega.

Kubwo amakuru twatororokanije mugihe umugabo n' umugore wiwe yarashitse mu gitanda,umugwi w'urwaruka baramenye umuryango w'inzu yabo hanyuma bamucumita w'izosi bakoresheje icuma kisongoye. Yaciye apfira aho nyene.

Batabajwe n'induru y'umugore wiwe,ababanyi baratabaye. Abicanyi 2 abanyagihugu barabavuze. Umwe muri bo, BWERI, uwuba kuri uyo mutumba nyene kandi aherutse gusohoka ibitaro,yoba yarahagarritswe cane n'abahaba imbere yo kurekurwa n'uwundi mugwi b'urwaruka rwari rwahishikiye. Uwundi yitwa TANE. Bose ni abanywanyi b'umuhari w'Imbonerakure  b'umugambwe CNDD-FDD.

Imvo nyazo z'urwo rupfu ntiziramenyekana,ariko amasoko yaho amenyeshako uwo yapfuye yagirizwa uburozi.

Abanyagihugu baho bashikiriza amakenga kandi bagasaba indongozi mu giporisi no mubuungane gukurikirana urubanza kugira ubutungane bukore akazi kabwo.

### *II.1.3. ABANTU BISHWE KUBERA KWIHORA CANKE KWIHANIRA*

**Umugabo yishwe n'umubanyi muri komine Karusi mu ntara ya Gitega**

Umuntu yarakubiswe buyoka n'umubanyi wiwe muri komine Karusi, iri mu ntara ya Gitega. Ivyo vyabaye kuwa kane igenekerezo rya 3 Nyakanga 2026,hafi isaha cumi n'imwe,ku mutumba Rwandagaro, muri zone ya Buhindye, muri komine ya Karusi. Uwishwe,yitwa CIMPAYE Sanctus, umugabo ari mu mugambwe CNDD-FDD w'imyaka irenga 50 kandi w'umurimyi,,yarishwe akubiswe inembo mu mutwe n'umubanyi wiwe,CONGERA Berchmans, nawenyene ni umunywanyi wa CNDD-FDD kandi w' umurimyi, w'imyaka irenga 50.

Kubwo ivyashikirijwe n'icabona cari ngaho,amatati yatanguye igihe uwo yishwe yategeka umugore w'uwo bashwana kumuriha ideni ry'itabi ry'ikirundi ry'amahera 500,ikiringo ciminsi ibiri co kuyariha cari camaze kurenga.Uwo mubanyi yumvise amarira y'umugore wiwe hanyuma yikeka uwo mugabo ko afitaniye imigenderaniye n'umugore wiwe,yaciye azana indembo hanyuma aja muhira kw'uwo yishwe yarahagaze imbere y'inzu yiwe,kugira amukubite mu mutwe. Uwo muhise yapfiriye aho nyene. Uwakoze iryo bara munyuma yaciye ahunga aja ahantu hatazwi. Kuwa gatandatu ,igenekerezo rya 5 Nyakanga,musitanteri wa komine,arikumwe n'umuhanuzi wiwe,barashitse aho vabereye kugira batekanye abanyagihugu hamwe no kubuza ibikorwa vyose vyo kwihora. Kubwo indongozi mu giporisi,baratanguye kumurondera.

### *II.1.4. UKUNYURUZWA NO KUBURWA IRENGERO*

**Abagabo babiri banyurujwe muri karatiye Gikungu muri komine Ntahangwa mu ntara ya Bujumbura**

Abanyagihugu bazwi kw'izina rya BUSO Alexandre,w'imyaka37, na NTUNZWENIMANA Fabrice, w'imyaka 42 ,barahagaritswe n'abakozi b' iperereza kuwa 29 Myandagaro 2026.

Kubwo intahe y'abantu bari bahari, Alexandre yasohotse iwe inyuma y'umutaga,hafi y'isaha icenda. Yabwiye umuryango wiwe ko agiye mu muji i Bujumbura agiye guhura n'umuntu yamuhamagaye kw'iterefone ngo amuhe akazi. Yaragiye gushika aho bita Ku Kabasazi, aho badandariza ibitanda,muri karatiye Mutanga Nord, impande y'ishure nkuru ya Gikungu. Ni aho yasanze umugenzi wiwe, NTUNZWENIMANA Fabrice. Hari mw'ijoro isaha cumi na zibiri.Mu gihe bakiriko bayaga aho hantu ,impande y'ibitanda,ingendeshwa yo mu bwoko bwa double cabine yirabura,,ifise ibiyo bitabona yaraje. Ivyabona vyemeza ko iyo ngendeshwa itari ifise imparati.

Bunonyene, abakozi bane b'iperereza bambaye impuzu zisanswe barurutse,umwe muri bo yarafise agakoho ko mu bwoko bwa pistolet. Baciye bafata Alexandre na Fabrice hanyuma babaterera mu ngendeshwa,mu nyuma yaciye yiruka.

Kuva uyo munsi, ntawuzi iyo bari.Imiryango yabo n'ababegereye bafise amakenga ku mutekano wabo.

### *II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA KU MUBIRI NO MUVYIYUMVIRO*

### *II.2.1.UGUHOHOTERWA CANKE UGUFATWA BUNYAMASWA CANKE GUCINYIZWA*

**Umugabo yahaswe gupfa** ku Mubuga kubera ugufatwa bunyamaswa

Kuwa 3 Nyakanga 2026 hafi y'isaha zibiri zo mugitondo,ku mutumba 8 Mubuga,ku gacimbiri Muhororo,muri Zone Mubuga,muri komine n'intara ya Gitega,uwitwa Nahimana Claude, w'imyaka 35, umuhungu wa Butoyi Pascal na Nzeyimana Cézallie,ava kuri uyomutumba nene,yatowe ari ikiruruma.

Kubwo isoko ryacu,uwo yahohotewe yatowe atekeye mw'igunira kandi abohesheje umusegetera mu mugongo hamwe n'amaguru kandi umubiri wose wariko ibikomere.

Uwo mugabo yararemvye cane kandi yaciye ajanwa mu kigo c'ubuvuzi ku Mubuga kugira avuzwe vyihuse.

Ku bwo isoko ryacu,abantu babiri barikekwa kuba bari mukugerageza kumwica,nabo ni, Nizigiyimana Joël, basanze afise ibirato mu nzu yiwe y' ubudandarizo vy'uyo yakorewe ayo mabi na Ntahimpera Clovis, uwuvukana na Claude ariwe bari bafitaniye amatati kuwa 1 Nyakanga 2026. Bose ukwo ari babiribarahagaritswe ku mvo z'amatohoza.Uwo yatowe yari yabuzwe irengeromw'ijoro ryokuwa 1 Nyakanga 2026,inyuma y'imishamirano yabaye hagati y'abo bantu bavuzwe.

### *II.2.2. UGUSHURASHUZWA*

Umuyabaga yashurashujwe iMakebuko

Kuwa 1 Nyakanga2026 hafi y'isaha zitandatu z' umurango , Nkwiye Philippe alias « Musokuru », w' imyaka 43,umuhungu wa Himbiri Louis na Bucumi Domitile, ava ku mutumba Mavuvu,muri Zone Makebuko, muri kominen'intara ya Gitega, yarahagaritswe yagirizwagushurashuza umukobwa akiri muto,w'imyaka 13,umukobwa wa N. L na de N. F,bava ku mutumbana zone Makebuko, komine n'intara ya Gitega.

Ku bwo isoko ryacu,uwoyashurashuje yaciye ajanwa ku kigo c'amagara y'abantu Humura c'i Gitega kugira akorerwe ibipimo hamwe no kuronswa ubuvuzi bwihuta.Uwikekwako icaha yarapfunzwe mu gasho ka zone Makebuko, mukurindira inyishu ziva mu bipimo hamwe no kuja mu butungane.

Umuntu wa gatatu,yitwa Reverien yoba ariho yari ariko n'abo bantu abiri igihe bamutera ubwoba.Kubwo isoko ryacu,yateye ahunga igihe abarisi 3 bashika kuwa 3 nyakanga mu gatondo.

### *II.2.3. AMABI YO MU NGO*

**Umugore yakubiswe n'umugabo wiwe muri komine Karusi mu ntara ya Gitega**

Mw'ijoro ryo kuwa mbere, igenekerezo rya 31 Nyakanga 2026,hafi y'isaha zitatu z'ijoro,ku mutumba Rwingoma, muri karatiye Mission,muri zone Buhiga, muri komine Karusi, umugabo yitwa AKEZA Siméon, umunywanyi wa CNDD-FDD,w'imyaka irenga 40 kandi umunyamabanga kw'ishure rikuru rya Buhiga, yarakubise umugore wiwe Marianne,nawenyene umunywanyi wa CNDD-FDD w'imyaka irenga 35 kandi agira isuku ku bitaro vy'i Buhiga.Yamwagiriza kuba yarungitse abana kuryama badafunguye.Ababanyu barashatse gutabara uwo mugabo arabirukana akoreseje umupanga.

Imbonerakure nazo zaratabaye hanyuma zijana uwo mugabo mu gasho k'igi porisi muri zone Buhiga,aho yaraye ijoro rimwe imbere yo kurekurwa atanze ihadabu y'amahera 50 000 FBu, atagitasi bamuhaye,yasabwe n'umukuru w'Imbonerakure muri zone yitwa Innocent.

### *III. 1. AGATEKA K'ABANA*

**Ikiziga c'uruyoya catowe iMaseke muri komine Bubanza mu ntara ya Bujumbura.**

Igenekerezo rya 1 Nyakanga 2026,hafi y'isaha cumi na zibiri z'igitondo muri karatiye Bubanza,ku gacimbiri Maseke, muri komine Bubanza,mu ntara ya Bujumbura, uruyoya rwatowe aho barutaye.Kubwo intahe,abantu bamutoye,uruyoya rwatowe ku nkombe y'ibarabara. Bisa n'ukwo umutu yarahejeje kuvyara yamuzanye akamute-rekaho,kuko umwana yaragifise uruzogi. Ku mukondo.

Abamutoye baciye bamunyarukana kwa muganga i Bubanza aho ariko arakurikiranwa. Amatohoza yara-tanguye kugira hatorwe nyina w'umwana kugira batore yina yamuvyaye,ariko gushika ntaramenyekana.

**Ikiziga c'umwana catowe muri komine Burunga**

Kuwa 4 Nyakanga 2026,ku murwa mukuru wa Kizuka, muri komine Rumonge,mu ntara ya Burunga, ikiziga c'umwana caratowe.Nyina w'umwana,Micheline Ndayipfukamiye,arikekwa kuba ariwe ntandaro y'urupfu rw'umwana wiwe imbere yo kugerageza kumwica muri iyo minsi.Kubwo amasoko yo mu ntwaro n'igiporisi caho,ikiziga c'umwana bagisanze impande ya nyina wiwe kuri uyu wa gatanu,igenekerezo Nyakanga 2026 ,ku mutumba Kizuka.Naho biri ukwo,imvo z'urwo rupfu ntiziramenyekana. Ibintu vya mbere vyatororokanijwe aho nyenezimenyesha ko nyina wiwe abikoze k'ubushake bwiwe.

Imvo zatumye haba iryo bara ntiziramenyekana. Indongozi mu ntwaro n'igiporisi baramenyesheje ko amatohoza yatanguye kugira hamenyekane imvo z'ubwo bwicanyi kuri n'ivyatumye akora iryo bara.Intahe zegeranijwe mu babanyi bamenyesha konyina w' umwana yagerageje kwiyahura inyuma yo gukora amaraso.Yoba yarikomerekeje cane canemu muhogo imbere yo kuguma impande y'ikiziga c'umwana wiwe.

Vyongeye,abaengereye umuryango bamenyesheje neza ko uwo mugore yari yarahukanye n'umugabo wiwe haciye imyaka ibiri kandi ko yaciye agaruka kuba iwabo mugihe yari yibungeze. Ubu,araremvye,yarungitswe mu bitaro vyo mu Rumonge kugira akurikiranwe,avurwe.Aracari mu minwe y'indongozi zibijejwemu ntumbero y' amatohoza,kubwo amakuru ahari.Uwo yapfuye yari umwana w'umwaka umwe n'amezi icenda,ariko isura yiwe ntiyamenyekanye.

**Urudandazwa rw'abana muri komine Rutana mu ntara ya Burunga.**

Haraciye igihe,hibonekeza urudandazwa rw'abana b' imikangara bava mu Burundi bajaTanzanie kugira bagende gukora mu mirima bakabahemba.

Ibiherutse gushika vyabaye kuwa kane igenekerezo rya 3 Nyakanga 2026,aho abana 3 harimwo Darcy, Jean Bosco na James, bafise imyaka ukwo bakurikirana imyaka 10 , 11 na et 13 ans, bose bo kwishure nshingiro rya Rutana 3 baba muri karatiye Majambere,muri Zone Rutana, muri komine Rutana, mu ntara ya Burunga, barahagaritswe.

Kubwo isoko ryacu,abavyeyi babo bari bahaye amafoto igiporisi co mw'ibarabara co mu Gihofi inyuma y'iminsi ibiri atamakuru yabo baronka,abana ntibatashe

Inyuma y'ihagarikwa ryabo,bavuze ko bari bagiye muri Tanzanie kurondera akazi. Umuntu yarabajanye yarahunze hanyuma abana basubizwa mu miryango yabo.

## IV. UGUSOZERA HAMWE N'IBISABWA

Umuhari Iteka uranegura wivuye inyuma itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya kwibonekeza mu Burundi kandi uriyamiriza kudahana abakoze amabi.Uhamagarira abatwara Uburundi gufata ingingo zose zishoboka kandi usaba ibi bikurikira:

***Kuri Reta y'u Burundi :***

***1.***Gukora amatohoza y'ubutungane ku mugaragaro intambwe kuyindi iyo hatowe ikiziga;

2.Guha uburenganzira imiryango yabuze bwo kwitura ubutungane hamwe no kuronswa ivyegeranyo vy'igipimo kiraba icatumye uwabo apfa,imbere yo gushingura uwabo;

3.Kugira amatohoza ku biziga bitorwa mu mihingo itandukanye y'igihugu kandi atanakimwe gikorwa na Reta;

4.Gufata ingingo zo gusezerera ukudahana amabi hamwe no guhasha abagirwa n' ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu bakishura ivyaha vyabo;

5.Ukuvavanura n'ugukoresharw'uburundi hamwe no gufata kumwe amahirwe aboneka hisunzwe ibwirizwa nshingiro.

*Uwo uri wese ubahirizwa*